www.kidworship.kr

# Namani umugabisha w'ingabo

- Old Testament II / 10th story -


77Page

**Uwuvuga** Aramu cari igihugu kibanyi ca Isirayeli, kandi hari umuntu yitwa Namani yari umugabisha yubashwe wa Aramu. Umwami w'i Aramu yarakunda cane Namani, ariko umugabisha Namani yari arwaye imibembe. Imibembe ni ingwara ny'imboneka rimwe ituma uwuyirwaye atacumva umubiri wiwe-naho bomuca urutoke, ukuguru, canke ingohe, ntashobora kumva na kimwe.

---


78Page

**Uwuvuga** Mu nzu ya Namani hari umwigeme muto w'umusuku yavuye muri Isirayeli.

**Umwigeme** "Iyaba databuja yashobora kubona umuvugishwa Elisa w'i Samariya. Yoshobora kumukiza imibembe yiwe. Umuvugishwa Elisa yoshobora kumusengera Imana yiwe ikamukiza."

**Uwuvuga** Uwo mwigeme yarizera Uhoraho.

**Umugore** Vyoshoboka ko umugabo wanje akira imibembe?

**Umwigeme** "Ego nyene, ni vyo, ni ukuri."

**Uwuvuga** Umugore wa Namani abibarira umugabo. Umugabisha Namani aravyemera aravuga:

**Namani** "Koko nimba iyi mibembe yanje yoshobora gukira reka twihute."

---


79Page

**Uwuvuga** Uwo mugabisha Namani agenda muri Isirayeli.
Namani ajana amazimano menshi yo guha umuvugishwa Elisa.
Namani n'abantu biwe barateba barashika ku nzu ya Elisa. Ariko Elisa baramubura hose. Umusuku wa Elisa arasohoka hanyuma aha ubutumwa bwa Elisa Namani.

**Umusuku** "Va hasi, wiyuhagira incuro indwi muri Yorodani, umumbiri wawe uzogarukana inyama kandi wezwe."

**Namani** "Sobuja ari hehe? Ko agayana cane! Ashobora gute kurungika umusuku wiwe kwakira umugabisha wa Siriya amugendeye! Siriya ifise inzuzi nini kandi nzidatobetse nka Yorodani. Ashaka ko noga mu gishanga ca Yorodani? Mbona nosubira muri Siriya vyihuta!"




80Page

Uwuvuga: Umugabisha Namani ararakara cane ariko umusuku wiwe aramubwira.

Umusuku: Databuja, kwiyoga muri ruzi Yorodani incuro indwi ni ikintu coroshe cane gukora. wavuye kure uje ngaha...woshobora kubigerageza!

Uwuvuga: Umugabisha Namani yumviriza umusuku wiwe amanuka mu ruzi Yorodani. Rimwe, kabiri, gatatu...umugabisha Namani amaze kwinjirayo incuro zitandatu abona nta gihinduka. Ariko ku ncuro igira indwi, ikintu gitangaje kirashika. Umugabisha Namani akira burundu imibembe yiwe. Ibiguma vyiwe birakira burundu bisubirirwa n'urushato rusha.



81Page

Namani: Oh.....Mana!

Abantu: Ibiki....ibiki mw'isi!!

Uwuvuga: Kuva uwo musi, umugabisha Namani yizera Uhoraho. Umugabisha Namani ashimira umuvugishwa Elisa.



82Page

Namani: "Muvugishwa n'Imana Elisa, ndagushimiye cane. Kuva ubu ngiye gusenga, gukorera no gutazira Imana yankijije . Ndabisezeranye."

Uwuvuga: Umugabisha Namani atahuka mu gihugu ciwe yuzuye umunezero.